VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

Ibiro Bibika impapuro ndanga muntu i Vermont
Igisata Kijejwe Amagara y'Abantu kijejwe amagara y'abantu
108 Cherry Street, Agasandugu ka Posita
Burlington, VT 05402-0070
802-863-7275 or 800-439-5008 (muri Vermont gusa)

# Ukwihakana ubuvyeyi

Niwandike n'imashini canke wandike mundome nkuru ziboneka.

| | | |
|---|---|---|
| *Umwana* | 1. Izina ry'umwana (Iritazirano, Irindi zina, Izina ry'Ikirundi, Izina ry'inyongera) | 2. Igenekerezo y'amavuko (ukwezi/umusi/umwaka) |
| | 3. Igisagara, Intara hamwe n'Igihugu yavukiyemwo | |
| *Amajambo Umuvyeyi Ivuka* | 4. Izina umuvyeyi asanzwe yitwa kandi ryemewe n'amategeko (Iritazirano, irindi zina, Izina ry'Ikirundi, Izina ry'inyongera) | 5. Inomero yo kwitegekaniriza kazoza |
| | 6. Igenekerezo y'amavuko (ukwezi/umusi/umwaka) | 7. Aho yavukiye (Igihugu, Akarere, canke Ikindi gihugu) |
| | 8. Aho aba (Ibarabara hamwe n'inomero, Igisagara, Igihugu, Agasandugu k'amakete) | |
| *Amajambo Umuvyeyi Inkomoko Bivugwa canke Amajambo Umuvyeyi abantu bibaza* | Niwuzuze uru rupapuro maze urushikirize ibiro bibika impapuro ndangamuntu mu gisata kijejwe amagara y'abantu i Vermont hamwe na uru papuro rwo kwemera k'ubushake Ubuvyeyi (VAP) kugira ngo ukurweko uburenganzira hamwe n'ivyo usabwa gukora nk'umuvyeyi w'umwana avugwa aho hejuru. Ururupapuro rukuraho kandi rugasubirira uwahora ari umuvyeyi canke umuvyeyi avugwa ko ko yoba ariwe yakomotseko hakurikijwe (VAP). | |
| | 9. Inomero yo gutegekaniriza kazoza yemewe n'amategeko y'Umuvyeyi Yiyumvirwa canke Umuvyeyi avyiyemererera Izina (Iritazirano, Irindi zina, Izina ry'Ikirundi, Izina ry'inyongera) | 10. Inomero yo kwitegekaniriza |
| | 11. Igenekerezo y'amavuko (ukwezi/umusi/umwaka) | 12. Aho yavukiye (Igihugu, Akarere, canke ikindi gihugu ) |
| | 13. Aho aba (Ibarabara hamwe n'inomero, Igisagara, Igihugu, Agasandugu k'amakete) | |

**yo Kwihakana**

| Indome zitangura amazina yiwe | Umuvyeyi yitezwe canke avugwa ko ari umuvyeyi hasuzumwe inkomoko abwirizwa gushira indome zitangura amazina yiwe ku rupapuro ruriko ivyo vyoseyavuze muguhakana ubuvyeyi Kugira ivyo yavuze vyemerwe. |
|---|---|
| | Nasomye kandi natahuye ivyo gukwirikizwaa yatanzwe hamwe n'ingaruka imbere y'amategeko ku burenganzira n'amabanga bikurikirana no kuba nateye umukono kuri ukwo guhakana |
| | Ndatahura ko mfise uburenganzira bwo kuganira n'umushingwamanza imbere yo gutera umukono. |

<table>
<tr><td rowspan="7">Amajambo Umuvyeyi Inkomoko Bivugwa canke Amajambo Umuvyeyi abantu bibaza</td><td colspan="3">Amajambo yo Kwihakana (birabandanya)</td></tr>
<tr><td></td><td colspan="2">Ndazi ko uku kwihakana, hamwe n'ukwemerwa ubuvyeyi n'amategeko k'Ubushake Ubuvyeyi, bisigura kwaka ubuvyeyi uwahora yitwa umuvyeyi canke umuvyeyi avugwa ko ari ariwe akomokako kandi yakuweko uburenganzira bwose hamwe n'amabanga y'umuvyeyi.</td></tr>
<tr><td></td><td colspan="2">Ndemeza ko ntemeye amabanga ajanye n'ubuvyeyi canke ntemerwa nk'umuvyeyi w'uwo Umwana.</td></tr>
<tr><td></td><td colspan="2">Ndatahura ko nshobora guhagarika uku kwihakana mu gushira urupapuro rwo guhagarika mu Biro bibika impapuro ndangamuntu mu kiringo c'iminsi 60 kuva aho iyo ngingo y'ukwihakana itangiwe kandi ikemezwa.</td></tr>
<tr><td></td><td colspan="2">Ndatahura ko inyuma y'imisi 60 hatanzwe icemezo no guhakana ko ari umuvyeyi, nimba nk'uko bikorwa n'Ibiro Bibika impapuro ndngamuntu, ntegerezwa kuronka ingingo ya sentare yo gufuta canke guhinyuza icemeza canke guhakana kugira ngo ikureko canke yongereko umuvyeyi.</td></tr>
<tr><td colspan="3">Nasomye nongera ndatahura amajambo ari muri iki cemezo c'ukwihakana Ubuvyeyi(DOP). Ndemeza ko amakuru arimwo ari ukuriaho jewe ngeza kumenya kandi ndavyizeye. Nteye umukono kuri iyi DOP ata gahato, guterwa ubwoba canke akagobero mu buryo ubwo ari bwo kwose.</td></tr>
<tr><td colspan="2">Umukono w'uwuzwi canke avugwa ko ari umuvyeyi amuvyara</td><td>Igenekerezo bitereweko umukono (ukwezi/umusi/umwaka)</td></tr>
<tr><td>Icabona</td><td colspan="2">Umukono w'icabona</td><td>Igenekerezo bitereweko umukono (ukwezi/umusi/umwaka)</td></tr>
</table>

**bikoreshwa gusa n'Ibiro Bibika impapuro ndangamuntu**

**Igenekerezo Vyakiriweko: ________________________**

# Ibivugwa  hamwe n'ivyo gukurikiza mu kwihakana Ubuvyeyi

**Uwuvugwa canke yemezwa ko ari umuvyeyi  amuvyara akwiye gusoma yitonze ibigwa vyose n'ivyo gukwirikiza  vyose imbere y'uko yuzuza kandi agashira umukono ku rwandiko rw'Ukwihakana Ubuvyeyi (DOP).**

Urupapuro rwo kwihakana Ubuvyeyini urupapuro rwemewe n'amategeko rwateweko umukono n'umuyeyi yitezwe canke avugwa ko ari we muvyeyi avyara  umwana kugira ngo avug ahe umuntu uburenganzira  bwose bwo kuba umuvyeyi w'uwo mwana. Mu gihe umuvyeyi yubatse canke yahoze yubatse avuga ko uwo bubakanye canke uwo bahoze bubakanye (bibaza canke bemeza ko ariwe muvyeyi amuvyara ) atari umuvyeyi  w'umwana  kandi umuvyeyi w'umwana akaba yipfuza kwemera ko ari we muvyeyi, uwo bubakanye arashobora kwuzuza ifishi y'Ukwihakana Ubuvyeyi imbere y'icabona.

Kugira ngo umwana yemerwe, abavyeyi biwe bompi bategerezwa kandi gutera umukono kurupapuro rwemeza Ubuvyeyi k'Ubushake (VAP). VAP na DOP birashobora gushikirizwa bitandukanye canke icarimwe, ariko nta na kimwe muri ivyo vyompi gifise agaciro kiretse vyompi bishikirijwe Igisata Kijejwe Amagara y'Abantu c'Ibiro Bibika impapuro ndangamuntu  i Vermont . Iyo DOP itegerezwa guterwako umukono n'umuvyeyi yitezwe canke yemeza  ko amuvyara ashaka guheba ubuvyeyi imbere y'icabona.

**1. Umuvyeyi yubatse canke Yahora Yubatse**

Iyo umuvyeyi yubatse canke yari yubatse mu misi 300 umwana avutse, izina ry'uwo bubakanye ritegerezwa kwandikwa kurupapauro rw'amavuko rw'abakiriho, mu gihe:

a. Uwo bubakanye ashobora kuba atari we avugwa ko ari umuvyeyi amuvyara.
b. Uwo muvyeyi yari yubatse urwiwe mu buryo bwemewe n'amategeko, kandi umwana avutse mu misi 300 inyuma y'ugutandukana kw'abubakanye (kiretse ingingo y'ukwahukana yemeza ko uwo bubakanye atari we muvyeyi vyukuri).

**2. Mu gihe DOP yujurijwe mu bitaro:**

Mu gihe urupapuro rwo kwihakana ubuvyeyi (DOP) rwuzurijwe kandi rugatangwa n'ibitaro imbere y'uko Urupapuro rw'amavuko y'abazima rutangwa mu Biro Bibika impapuro ndangamuntu, umuvyeyi arashirwa kurutonde nk'umuvyeyi ku rupapuro rw'amavuko.

**3. Mu gihe DOP itujurijwe mu bitaro:**

Mu gihe iyo DOP itujurijwe imbere y'uko ibitaro bishikiriza urupapuro rw'amavuko ry'Umwana ari muzima mu Biro Bibika impapuro ndangamuntu, uwo bubakanye canke uwo bahoze bubakanye (uwuvugwa ko ari muvyeyi ) azokwandikwa nk'umuvyeyi kurupapuro rw'amavuko.

**4. Amategeko: 15C V.S.A., Ibigabane vya 1, 3 na 4**

- "Umuvyeyi yemewe" bisigura umuntu ashobora kwerekana ubucuti hagati y'umuvyeyi n'umwana mu kwuzuza urupapuro kweyemeza  ubuvyeyi k'Ubushake mu  Biro Bibika impapuro ndangamuntu.
- "Umuvyeyi yaciriwe urubanza" bisigura umuntu sentare ibifitiye ububasha  yemeje ko ari umuvyeyi w'umwana.

- "Uwuvuga ko ari umuvyeyi yamuvyaye" bisigura umuntu avugwa canke avuga ko ari umuvyeyi amuvyara canke bishoboka ko ari umuvyeyi avyara umwana atemejwe kw'ari umuvyeyi w'uwo mwana. Ni ukuvuga se avugwa ko yavyaye uwo mwana canke nyina avugwa ko yavyaye uwo mwana. Ni ukuvuga uwitezwe ko ari umuvyeyi, umuntu uburenganzira bwiwe bwo kuba umuvyeyi bwahagaritswe canke vyemejwe ko atabaho canke uwufasha.
- "Umuvyeyi ategekanijwe" bisigura umuntu, yaba yubatse canke atarubaka urwiwe, yerekana ko afise umugambi wo kuba umuvyeyi w'umwana avutse biciye mu gufashwa kurondoka canke mu masezerano y'ukuvyara.
- "Umuvyeyi yitezwe" bisigura umuntu yemezwa ko ari umuvyeyi w'umwana gushika aho ico kibanza kizosubirizwa canke kikemezwa mu butungane. Umuntu avugwa ko ari umuvyeyi w'umwana igihe:
    a. Uwo muntu n'umugore yibarutse umwana baba bubakanye kandi umwana avuka mu kubana kwabo; canke
    b. Uwo muntu n'umugore yibarutse umwana bari bubakanye kandi umwana yavutse mu kiringo c'imisi 300 inyuma y'aho umubano uhagarikiwe n'urupfu, gutandukana, kwahukana, gutandukana canke ubumuga; canke
    c. uwo muntu n'uwo yavyaye uwo mwana bubakanye uwo mwana amaze kuvuka, kandi uwo muntu yarigeze kuvuga ko ari umuvyeyi w'uwo mwana, kandi uwo muntu yaremeye kuba umuvyeyi w'uwo mwana kandi akaba ari we avugwa murupapuro rw'amavuko rw'uwo mwana.
    d. uwo muntu yaba mu rugo rumwe n'umwana mu myaka ibiri ya mbere y'ubuzima bw'umwana, harimwo n'ibihe vy'ukutahaba umwanya muto, kandi uwo muntu n'uwundi muvyeyi w'umwana bakavuga ku mugaragaro ko uwo mwana ari umwana wabo.

**5. Ibikurikizwa mu guheraheza Kwihakana Ubuvyeyi:**

- ▢ Umuvyeyi avugwa canke yemezwa ko ari we muvyeyi amuvyara ategerezwa gusoma no gushira indome nkuru zitangura amazina yiwe ku mpapuro zose hamwe na DOP.
- ▢ umuvyeyi avugwa canke yemezwa ko ari we muvyeyi amuvyara, ategerezwa gutera umukono kuri DOP ari kumwe n'icabona kandi icabona na co gitegerezwa gutera umukono kuri DOP.
- ▢ Uwo umuvyeyi avugwa canke yemezwa ko ari we muvyeyi amuvyara ashobora gutanga DOP mu bitaro imbere y'uko atanga urupapuro rw'amavuko canke akayirungika ku Biro Bibika impapuro ndangamuntu aha hakurikira:

  Ibiro Bibika impapuro ndangamuntu
  Igisata Kijejwe Amagara y'Abantu i Vermont
  108 Cherry Street, Agasandugu ka Posita 70
  Burlington, VT 05402-0070

**Mu gihe woba ukeneye imfashanyo kugira ngo utahure uburenganzira bwawe n'amabanga ufise nk'umuvyeyi hamwe n'ingaruka zo gutera umukono kuri uru rupapuro, hamagara ibiro vyo Gufasha Abana i Vermont: 1-800-786-3214.**